**Nyakanga 2016**

"Uhoraho Nyen'ingabo, ereg'amahema yawe n'ay'igikundiro! Ubugingo bwanje buri n'umuvuro, mbere budendebuwe no kwipfuza inyubakwa z'Uhoraho; umutima wanje n'umubiri wanje bivugiriza impundu Imana nzima (Zaburi 84:1–2)".

Uku kwezi, narasomye Zaburi ya 84. Ni Zaburi yazanye ugukira mu mutima wanje igihe umutima wari ukeneye ukwizigira no gukira. Igituma nuko iyo zaburi idasanzwe yerekana indondoro yo kwizigira.

Ni urukwirikirane kanaka kw'igihe ca Isirayeli; birashoboka igihe c'Ubwami bwa Salomo. Ku mwaka ku mwaka Abaisirayeli baraja I Yerusalemu ku misi mikuru w'insago. Bagira urugendo mu ntara zose za Isirayeli berekeje mu gisagara cera kugira ngo baje guhimbariza Uhoraho mu ngoro yayo.

usomye Zaburi ya 84, duca tubona igicapo mu mutima w'umwe mu bagiye I Yerusalemu gutazira Imana.

Ndiyumvira kangahe umutima wiwe wipfuza kuba mu gitutu c'Imana. Ndibaza "Noba nipfuza kumara umwanya imbere y'Imana? Nama niteguye kumara umwanya imbere y'Imana ku musi ku musi?

Iyo Zaburi iduhatira mu kugomba kwacu. Murashobora kwatura canke gusenga amajambo yo mur'iyo Zaburi nk'aho ari iyanyu? Mwumva muhahamiye kuba imbere y'Imana canke umutima urafise inyota yo kuba mu Mana?

Vuba cane, umubiri wararwaye imisi mikeya, ariko nagize mitende ningoga nca mbandanya ibikorwa vyanje vya misi yose. Nahuye n'ikibazo gikwirikira: "Iyo umutima ubabaye, nkizwa nuko nagize igihababu co kumara umwanya imbere y'Imana?" Iyo umutima ubabaye, twirukira iyo Imana iri tukagira inyota yo kuba mu gitutu cayo?

Uku kwezi aho dusengera abakenyezi bo muri Bulgarie, Croatie, ubugiriki na Solovakiya, twiyegurire Imana tuyereka ibiri mu mitima yacu hanyuma tuduze ijwi ryerekana ko tuyitezno n'inyota nyinshi kugira ngo Imana yishure imitwaro yacu. Naho turiko turababazwa, tuyirondere kandi tuyizigire kuko ni yo muganga mukuru ashobora kudukiza.

Mw'ikete ry'amasengesho ya Gitugutu, tuzoshimikira ku nyota dufitiye Imana. Tuzohindura itariki y'igihe co kwisonzesha no gusenga kugira ngo tubihuze n'umusi mpuzamakungu wagenewe abakenyezi mu kwezi kwa Ntwarante (3) 2017.

Murashobora kumenya urukundo rw'Imana no gukira mur'uku kwezi kwa Nyakanga ni mwaca mur'iyi nzira y'Ivyizigiro vy'Uhoraho.

Muri we imitima yacu iranezerwa.

Peggy Banks

Umuyobozi Mukuru w'ibikorwa vya Projet Hannah